IJAMBO RY'IMANA UYU MUSI
#772 – TOMA

Ndakuramukije ncuti mugenzi mukunzi wa kino kiganiro Ijambo ry'Imana uyu musi. Kino kiganiro ugitegurirwa n'ishirahamwe TWR y'I Burundi. Uri kumwe na Leonidas MANIRAKIZA ndiko ndakigushikiriza. Mukiganiro c'uno musi tuvugana kuvyerekeye **TOMA uwo abandi bita TOMA akekeranya.**

Kimwe mu bidutera umunezero urengeje twebwe abakristo n'uko Umukiza wacu Yesu Kristo yazutse mu bapfuye. Nk'uko bimeze abakristo tuwita umusi wa Pasika! Pasika – Ukuzuka kw'Umwami. Turazi yuko iyinga ryeranda ari iyinga rihambaye kurusha ayandi kandi sinkekeranya ko igihe c'ikarema kizwi n'umukristo wese mw'isi. Kandi ku mpera y'iryo yinga, Yesu Kristo yarazutse mu bapfuye, araza yiyereka abigishwa mu buryo bwinshi kandi yiyereka benshi batandukanye. Hamwe hamwe, umurwi w'abantu munini ushika ku bantu 500 baraje kumuraba.

Ukuzuka kwo mu gitondo ca Pasika ni kimwe mu bintu bikuru bivugwa mw'Ishengero kuko tuzi yuko natwe tutazoguma turi imbohe z'urupfu. Umwe wese azopfa turetse abazoba bakiriho igihe Yesu azogarukira. Imibiri yabo izoca ihindurwa ibe imibiri y'ubwiza. Ariko abo muri twebwe bazoba barapfuye imbere y'ico gihe bazoba bazutse kur'uwo musi. Uwo musi witwa Umusi w'Urubanza. Ubwo rero noshima kuvyiyumvira nk'ihangiro ry'umukristo wese yuko tuzobana na Kristo mw'ijuru ibihe bidashira. Iryo ni ryo hangiro! Aho ni ho iwacu ho mw'ijuru.

Ubu imwe mu ngorane zishika mw'Ishengero ry'abakristo n'uko hari ikintu bita gukekeranya. Dutanze akarorero, turabona muri Bibiliya turavye mu gice ca 20 c'Ubutumwa bwiza bwa Yohana, musome igice cose ca 20 ca Yohana ; muzobona yuko abigishwa barimwo gukekeranya gukeya. Ntibari bazi neza ivyari bigiye gushika kandi bari n'ubwoba. Mu vy'ukuri, baratinya kugeza aho vyashika bakaja kwinyegeza inyuma y'inzu, kuko biyumvira bati abantu baje, bagafata Yesu bakamubamba, barashobora no gufata ingingo yo kuza gufata abigishwa biwe. Kubw'ivyo baca bagerageza kwinyegeza. Kandi barakorana, bagashima Imana ku vyiza babona, kandi birashoboka ko bafata umwanya bagasenga bakongera bagahanahana ivyiyumviro ku cokorwa. Umusi umwe bakoranye Yesu yaraje abasanga aho binyegeje arababonekera amaze kuzuka mu bapfuye arabiyereka. Barakangutse baranezerwa. Toma ntiyari kumwe na bo. Hanyuma toma araseruka, bamubwira bati "twabonye Yesu; ni muzima; yarazutse mu bapfuye". Ubwo toma na we (tumwita Toma akekeranya) – Toma arakekeranya – avuga ati "ntabonye inkovu zo mu biganza vyiwe ngo mbone aho bamucumise icumu mu rubavu, sindavyizera". Uwo ni Toma akekeranya.

Ubu nshaka kubivuga ndabifoboye yuko bishika abakristo benshi canke kumbure umukristo wese kur'iki canke kiriya agira ugukekeranya kuri kimwe canke bibiri canke bitatu. Sindiko ndagerageza kugabanya igitigiri c'ibikekeranywa. Ariko ico nshaka kuvuga n'uko gukekeranya atari co kimwe n'ukutizera. Ku bisanzwe, iyo ugukekeranya kwawe kubandanije kugakura ico

gushobora kuzana n'uko utangura kuryoherwa n'ugukekeranya kwawe. Kumbure ugatangura kwiyumvira ko uri incabwenge, ahandi naho ugatangura kubwira abantu uko ukekeranya iki canke kiriya. Ucika umunyabihari kandi ukipfuza kwerekana aho uhagaze. Kubw'ico uba uriko urabagarira ugukekeranya kwawe aho kuvyifatamwo neza. Maze ukagerageza kuja mu mpari ngo werekane uko ushigikira aho uhagaze n'ibindi nk'ivyo. Muri ico gihe, ugukekeranya kwawe kurakura. Bica biba nk'icaha. Icaha kiguma gikura kugeza wihanye. Ni ko biri no ku gukekeranya. Usasiye indava ugukekeranya kwawe ukaguma ukwemanga ukiyumvira ko uriko urakora ikikugaragazako ubwenge canke ikindi, burya ugukekeranya kwawe kuzokura vuba na vuba, gukure kuvyare ibindi ukekeranya ko, maz'impera n'imperuka ube umuntu atagira ico yizera ube uwutizera, maze uhave uje mu gitigiri c'abadabafise ukwizera. Uzoba ubaye umuntu mubi cane.

Ariko Toma wewe, yagarutse mu nama hamwe n'abigishwa, haheze imisi. Hari haheze nk'imisi umunani. Ari ngaho, Yesu yongera guseruka aho abigishwa bari. Mu vy'ukuri, yaserukana mu mpome canke mu muryango. Toma ni ho yari ari ico gihe, bica bituma Yesu amuhamagara ngw'aze ashire intoke mu nkovu z'imisumari no mu rubavu. Aha rero ivya toma vyaragaragaye. Nta nkeka ako kanya yariboneyeko. Ariko nizera ko imbere yo kugira ico akora, ashobora kuba yaravuze ati: 'Mwami wanje Mana yanje." Mu yandi majambo, hari ico yabonye! Kandi Yesu mu buryo bumwe yamuteye intege, mu bundi buryo aramuhambarira. Avuga ati: "Toma, wizeye kuko urinze kubona, hahirwa abizera batarinze kubona" Mu yandi majambo, hari icigisho co kwigirwako hano. Ntiwibaze yuko Imana itegerezwa kuza ubwayo kukwiyereka. Hari abantu bisabira ibitangaza. Basenga ngo habe ikintu cotuma bizera n'ibindi. Ni vyo, Imana izoshikana abantu ku kwizera. Nta we ihindira hanze. Ariko n'ikintu ciza cane namba wokwizera Ijambo ry'Imana. Ni wizere ukuri kw'Ijambo ryayo. Kandi uburyo bumwe gusa ushobora gukora ivyo n'ukugira ukwizera, kandi Imana izoguha ukwo kwizera. Izokurungikira Mpwemu wayo Yera, uwo niwe azogushitsa kukugororoka kwose akaguha ingabire nkuko Imana igomba n'okwo kwizera kurimwo.

Mbega ukwo gukekeranya. Ni waba ufise ugukekeranya nk'uko navuze ntikwontera ubwoba na cane cane namba uzi uko uvyifatamwo. Ukwiye kukuzana ku Mana. Ukwiye kukuzana kuri We umusabe kugukosora; umusabe kuguha ubwenge buva kuri Mpwemu Yera kugira ngo umenye ico wizera kandi ushikame mur'ukwo kwizera.

Kenshi iyo gukekeranya gutorewe umuti, n'iyo ingorane zitorewe umuti, akenshi ukwizera kwawe guca gukomera kurusha uko kwari gusanzwe. Bisa no gutera ishami mu giti. Kenshi ahatewe ishami ku giti, iyo rikuze, usanga hakomeye kurusha ahandi hose hasanzwe hari kuri ico giti. Ico n'ikigereranyo ciza. Uburyo bwiza bwo kuraba ko ugukekeranya kwawe kwatorewe umuti.

Ubu ngiye kumara akanya gato kur'uyu mutwe w'amajambo kandi mw'iyinga riza nzokubwira inkuru yerekeye Umupfasoni Frederika, umuntu twahuye ngitangura ibango ryanje ry'ivugabutumwa. N'ikigereranyo ciza cane ku bijanye n'ingene ugukekeranya kwawe

kwotorerwa umuti mu bugingo bwawe. Iyo nkuru nzoyizigama kugeza mw'iyinga riza kuko nshaka yuko muronka inkuru yuzuye kur'iyi nteguro nyene. Gutyo rero sinja gutangurira hano ngo ndangirize mw'iyinga riza. Nzobaha inkuru yose mw'iyinga riza.

Ariko ngomba kuvuga ibindi bintu bike kur'uku gukekeranya. Ni ryari ukwizera kwawe gushobora kugira intege nke ? Ukaba utakoraniye hamwe n'abandi kumara igihe kinaka; ukaba umaze igihe utaja mw'isengero, ukaba utabonye akaryo ko guhanahana n'abandi ivyiyumviro kuri Bibiliya, ukaba umaze amayinga n'ayandi udasoma Bibiliya, ukwizera kwawe gushobora kugira intege nke. Mbega ukwizera kwawe kumeze gute ? Kuguma gukura kwongera gukura ? Mu muntu haba ibintu bibiri, ukurira muri Kristo canke ukazimira. Ugenda ugana kwa Satani canke ku Mana. Hari inzira imwe canke iyindi, ntushobora kujana inzira zompi mu gihe kimwe.

Nuko rero, iyo ukwizera kwawe kugenda gusubira inyuma ukumva ufise intege nke mu vy'umutima, aho ni ho ugukekeranya gushobora gusunikira kure ukwizera kwawe. Birashobora kukuzazanira! Birashobora kugutera ingorane. Ivyo bishitse, ukwiye kugaruka kw'Ijambo ry'Imana no mu vyanditswe vyera no kuja mu makoraniro mu gusangira ivya Mpwemu Yera. Ukwiye kugira umwete mu kwitanga (umwete nyawo) ugume uhagaze mu kwizera. Kandi ivyo kurya Imana iguha mu buryo bw'impwemu n'Ijambo ryayo. Ijambo ryayo naryo n'ukwihana. Ingorane ishika mu gihe wirengagije Ijambo ryayo, nuko uzorushiriza gucika intege.

Uramaze kwumva abantu bavuga bati "Ndizera Yesu Kristo ariko sinumva ko noja mw'isengero". Hari ikintu gikomeye cane, cane rwose mur'ivyo, n'ukuntu ubona ukwizera. Mbega n'ukwizera kw'ukuri gukiza ? Ukwizera kw'ukuri ni Yesu Kristo aba muri wewe. Kandi Yesu aba muri wewe, ni na we agutuma uja gusenga no gutazira kuko umukunda kubera yakubabariye. Iyo umuntu atumva urwo rukundo ntiyumve ukwo gufatana kwiwe bwite na Kristo, ic'ukuri n'uko ataba ariko aravuga kwa kwizera gukiza. Birashika bakavuga gusa kuvyo kwemera canke kwizera ikintu bafatiye kuri kahise.

Bose barazi yuko Yesu Kristo yabayeho ivyo birazwi. Ivyo birasa no kwizera ko Napoléon yabayeho canke ko Adolf Hitler yabayeho canke Julius Caesar yabaye umutegetsi kuri iyi si n'ibindi bimeze birtyo. Ushobora kwizera ivy'akahise. Urashobora kwizera ko hari igihugu c'Isezerano (cera), urashobora kwizera yuko Yesu yavutse n'ibindi. Ivyo vyose urashobora kuvyizera ariko ntibirimwo ukwizera gukiza. Ingene bigaragara ukwo s'ukwizera kurimwo agakiza. Ukwizera gukiza kurimwo igitangaza. Mu vy'ukuri, n'igitangaza kugeza aho ivyanditswe bivyita kuvuka ubwa kabiri. Bama bisunga ivyo mu kuvuga ko ari "ukuvuka ubwa kabiri." Birateye ubwoba! N'igitangaza. Kandi namba ufise ukwizera gukiza, ukagiriranira ubumwe nyabwo na Yesu Kristo, ubucuti butuma umwita umugenzi wawe bwite akaba Umwami wawe n'Umukiza wawe kandi ukizera yuko ivyaha vyawe vyose vyakuweho n'urupfu rwiwe ku musaraba ukizera yuko yazutse avuye mu bapfuye, yuko wewe nanje tuzozuka kandi yuko tuzongera kumubona tukabana na we ibihe bitazoshira mw'ijuru. Ukwo kwizera gukiza n'icemezo c'uko Yesu aba muri wewe kandi yuko ukwizera kwawe ar'ukw'ukuri. Ukwiye kumukorera.

Ukwiye kwumva ijambo ryiwe. Ukwiye kwiga ijambo ryiwe kandi ukwiye kumusenga. Ukwiye kwakira isangira ryeranda ngo umenye udakekeranya ko wahariwe. Ibi vyose bizova mu kwizera kw'ukuri kuri muri wewe.

Asangwa udafise inzara n'inyota, ukwiye gusubira gusuzuma ukwizera kwawe. Ukwiye kuraba neza yuko mubisanzwe atari umwimenyerezo w'ubwenge bw'umuntu. Ukwiye kuraba neza yuko ari ingabire iva ku Mana canke kw'ari igitangaza c'ikiyago, igitangaza c'ukwizera Yesu nk'umukiza wiharije.

N'uko igihe haje ugukekeranya, itegereze neza ugukekeranya kwawe. Mbega woba uriko uratera intege ugukekeranya kwawe mu kureka ukwizera kwawe ngo gucike intege kandi guhindagurike, subira kandi mw'Ijambo ry'Imana. Urondere abandi kugira ngo bagusengere. Basabe yuko bokwamiza mu masengesho yabo.

Kumenya muri aka kanya ko mfise abantu benshi bariko baranyumviriza kandi bansengera kubw'iyi nteguro, ni ikintu ciza cane. Ivyo ndabishimira Imana. Ndashimiye Imana ko basengera amagara yanje, ko bansengera kugira ngo ubuzima bwanje bw'impwemu bukomere. Ndashimiye nabo bantera intege bipfuza yuko ubu butumwa bushika kw'isi yose.

Usabwe gusengera iyi nteguro "Ijambo ry'Imana uyu musi" maze ubikurikirane kw'iyinga kw'iyinga. Ndizeye yuko mw'iyinga riza witeze ya nkuru nzokubwira ku vy'umukenyezi twahuye ngitangura ibango ryanje ryivuga butumwa n'ingene ugukekeranya kiwe kwatorewe umuti. Imana iguhezagire.

Dusenge:
Mana yo mw'ijuru, wewe urema ukwizera mu bana bawe, ndakwinginze ngo uramire imitima yose idendebukiwe kubw'intambara barimwo uko ziri kwose. Bahe ukwizera kubabashisha kurandura imisozi iri imbere yabo, ubategurire abo kubaramira muri bamwe bakwubaha. Ni basohoka amahoro mu bigeragezo barimwo, ishimwe rizoba iryawe. Tubisavye mw'Izina rya Yesu Kristo umwami wacu. Amen
Ikiganiro cacu c'uno musi kigarukiye ngaha n'aho ubutaha.